# Lawanyenkanda: Bible for John

## Formatted for Translators


generated on Fri Jan 24 09:33:56 2025

©2022 Wycliffe Associates
Released under a Creative Commons Attribution-ShareAlike 4.0 International License.

Bible Text: The English Unlocked Literal Bible (ULB)
©2017 Wycliffe Associates
Available at https://bibleineverylanguage.org/translations
The English Unlocked Literal Bible is based on the unfoldingWord® Literal Text, CC BY-SA 4.0. The original work of the unfoldingWord® Literal Text is available at https://unfoldingword.bible/ult/.
The ULB is licensed under the Creative Commons Attribution-ShareAlike 4.0 International License.

Notes: English ULB Translation Notes
©2017 Wycliffe Associates
Available at https://bibleineverylanguage.org/translations
The English ULB Translation Notes is based on the unfoldingWord translationNotes, under CC BY-SA 4.0. The original unfoldingWord work is available at https://unfoldingword.bible/utn.
The ULB Notes is licensed under the Creative Commons Attribution-ShareAlike 4.0 International License.

To view a copy of the CC BY-SA 4.0 license visit http://creativecommons.org/licenses/by-sa/4.0/

Below is a human-readable summary of (and not a substitute for) the license.
You are free to:

- Share — copy and redistribute the material in any medium or format.
- Adapt — remix, transform, and build upon the material for any purpose, even commercially.

The licensor cannot revoke these freedoms as long as you follow the license terms.
Under the following conditions:

- Attribution — You must attribute the work as follows: "Original work available at https://BibleInEveryLanguage.org." Attribution statements in derivative works should not in any way suggest that we endorse you or your use of this work.
- ShareAlike — If you remix, transform, or build upon the material, you must distribute your contributions under the same license as the original.
- No additional restrictions — You may not apply legal terms or technological measures that legally restrict others from doing anything the license permits.

Notices:
You do not have to comply with the license for elements of the material in the public domain or where your use is permitted by an applicable exception or limitation.
No warranties are given. The license may not give you all of the permissions necessary for your intended use. For example, other rights such as publicity, privacy, or moral rights may limit how you use the material.

# John

Chapter 1

[1]Kela haliho Jambho, kandi Jambho yalikumwe n' Imana, ikindi Jambho yal' Imana. [2]Uwo Jambho, kela
yalikumwe n' Imana. [3]Ibhintu vyosi vyalemewe muliwe, nta kintu na kimwe kitavanye nawe.[4]Muliwe halimw'
ubhugingo, kand' ubwo bhugingo nibwo bwal' umucho w' abahntu bhosi. [5]Uwo mucho wasesekalila mu mwiza,
kand' umwiza ntiwashobhoye kuwuzimya.[6]Umuntu yitwa Yohana yatumwe n' Imana. [7]Yaje kubh'
umushingantahe wo kuvuganila wa mucho, kugila bhosi bhabvyizele bhichiliye muliwe. [8]Yohana ntiyal' uwo
mucho, ahubwo yazanwe kuza kuwuvuganila.[9]Kuk' umucho nyakuli wali munzila uza mwa yinosi kandi niwo
ushobhola kumulikila bhul' umuntu.[10]Yahoze mwayinosi, kandi niwe yalemy' isi, alikw' isi ntiyamumenye. [11]Yaje
kubhilemwa vyiwe, alikw' abhiwe ntibhamwakiliye.[12]Aliko kuli bhadya bhenshi bhamwakiliye, abhizey' izina
dyiwe abho yabhahaye kwitw' abahana bh' Imana. [13]Abha sibhadya bhavyawe n' amalaso, chankw' ugushaka kw'
umubhili, chankwe gushaka kw' umuntu, ahubwo bhavyawe n' Imana.[14]Kandi lelo Jambho yambhay' umubhili
maz' alaza kwibhela muli twebwe, twibhonel' ubwiza bwiwe, kand' ubwo bwiza bwali nk' ubw' umunt' atameze
nk' abhandi amanuk' ava kwa Data, yuzuy' ubhuntu n' ukuli. [15]Yohana yalamuvuganiye ashil' ijwi hejul' ati ''Uwu
ni wawundi navuga kuvyiwe, chagihe nabhabwila nti 'Uwuzoza hanyuma yanje niwe mukulu kunduta njewe,
kuko yabhayeho ntalabheho''.[16]Kuko mul' ubwo bwuzule bwiwe twesi twakiliy' ubhuntu k' ubhuntu kand' atacho
dutanze. [17]Kand' amategeko yazanwe bhichiliye muli Mose, alik' ubhuntu hamwe n' ukuli vyaje bhichiliye muli
Yesu Kiristo. [18]Nta muntu bhutu yigeze kubhon' Imana nalimwe. Alikw' umwe gus' aliwe Mana, kandi yama
mugatuntu kwa Data niwe wenyene ya muhishuye.[19]Uku nikwo Yohana yishuye chagih' abhahelezi hamwe n'
abhalewi bhatumwe n' Abhayuda kumubhaza bhati ''Wewe wobh' ulinde?'' [20]Atitangiliye, kandi atabhihakanye
yalabhishuy' ati ''Njewe sindi Kiristo''. [21]Bhongela kumubhaza bhati ''None wewe wobh' ulinde? Uli Eliya?
Alabhishul' ati ''Oya si ndiwe''. Bhalabhaza bhati '''Wewe ul' Umuvugishwa?'' Alabhishul' ati ''Oya''.[22]Maze
bhalamubwila bhati ''None wewe ulinde kugila tubhon' ukwo twosubhiza bhadya bhadutumye''? Wivuga gute?
[23]Alavug' ati ''Njewe nd' ijwi dy' uwusemelela mubhugalagwa: Ni mugolol' inzila y' Umwami, nkuko vyavuzwe na
Yesaya Umuvugishwa.''[24]Hadya halih' abhantu bhali bhatumwe n' abhafarisayo. Bhalamubhaza bhati [25]''None ko
wewe utali Kiristo chankwe Eliya, chankw' Umuvugishwa, ni kubheliki ubhatiza?[26]Yohana yalabhishuy' ati
''Njewe mbhatiza mu mazi, aliko hagati muli mwebwe hahagaz' uwo mutameny. [27]Uwo niw' azoza munyuma
yanje. Sinemelewe no guhambhulul' imigozi y' ibhilato vyiwe''. [28]Ivyo vyakolekey' Ibetaniya, hakudya ya Yorodni
aho Yohana yabhatiliza.[29]Kumubhagwa wakulikiyeho Yohana yabhonye Yesu alikw' alaza maz' alavug' ati ''
Nimulabh' umwana w' intama yikoley' ichaha cha yinosi! [30]uwo niwe nabhabwiye mvuga nti ''Udy' azoz' inyuma
yanje niwe mukulu kuli njewe, kuko yaliho ntalabheho' [31]Sina mumenya , aliko vyabhaye bhityo kugil'
amenyekane mul' Isirayeli, yuko naje mbhatiza mu mazi.''[32]Yohana alabhabwil' ati ''Nabhonye Mpwemu Yela
amanuk' ava mwijulu ameze nk' inuma, amugumako. [33]Njewe sinamumenye aliko niwe yandugiche kubhatiza
mu mazi , yambwiy' ati '' Udya uwo uza kubhona Mpwemu Yela amumanukiye, uwo niw' abhatiza muli Mpwemu
Yela. [34]Nabhibhonye kandi ndavyemeza yuk' uwo alaiwe Mwana w' Imana[35]Kandi kumubhagwa wakulikiyeho
Yohana yalikumwe n' abhigishwa bhiwe bhabhili, [36]bhabhonyeYes' agendagenda; maze Yohana alabhabwil' ati
''Ni mulabh' Umwana w' intama w' Imana.''[37]Abhigishwa bhabhili bhumvishije Yohan' avug' ayo majambho
bhacha bhakulikila Yesu. [38]Maze Yes' abhabhonye alahindukil' abhabwil' ati ''Mushak' iki? Bhala mwishula bhati
''Rabhi(Lisobhanuye ngo Mwigisha) ubha hehe?'' [39]Alabhabwil' ati ''Ni muze mwilabhile'' . Maze bhalagenda
bhalahabhona , kandi bhiligwana nawe kuko hali kugihe nk' isaha ichumi.[40]Umwe muli bhadya bhabhili
bhumvishije Yohana bhagakulikila Yesu yali Andereya mwenewabho wa Simoni Petero. [41]Abhona Simoni mwene
nyina alamubwil' ati ''Twabhonye Mesiya''(Bhisobhanuye ngo Kiristo). [42]Amuzana kuli Yesu . Yes' alamulabha
maz' amubwil' ati ''wewe uli Simoni mwene Yohana kandi wew' uzokwitwa 'Kefa'(Lisobhanuye Petero)''[43]Ku
mubhagwa wakulikiye Yesu yashaka kugend' Igalilaya, yahuye na Filipo maz' amubwil' ati ''Nkulikila'' [44]Filipo
nawe nyene hyava Ibetisayida umuji wa Andereya na Petero. [45]Filipo yagiy' ahula na Nataniyeli alamubwil'ati
''Twalonse wawundi twandikigwa na Mose mu Vyagezwe hamwe no mubhavugishwa. Yesu mwene Yozefu, w'
Inazareti.[46]Maze Natanayeli alamubhaz' ati ''Bhudya ikintu chiza choza kiv' Inazareti? Filip' alamwishul' ati
''Wewe nuze wilabhile'' [47]Yes' abhona Natanayeli alikw' alaza kuliwe maz' alavug' ati ''Labh' Umuosirayeli nyakuli
atagil' ubhudyadya mu mutima wiwe''! [48]Natanayeli alamubwil' ati ''Wamaze kumenya njewe? '' Yes' alamubwil'
ati ''Igihe Filipo yaguhamagala wichaye musi y' igiti nakubhonye''.[49]Natanayeli yishul' ati ''Rabhi wewe ul'
Umwana w' Imana! Wewe niwe Mwami wa Isirayeli!'' [50]Yes' alishul' ati ''Kuko nakubwiy' ati nakubhonye munsi y'

igiti , uchiye wizela? uzobhon' ibhikomeye bhisumbh' ibhi'' [51]Yes' alavug' ati Nimwizele , nimwizele, ndabhabwile neza yuko muzobhon' ijulu dyuguluche, abhamalayika bhamanuka bhaduga hejulu y' U,mwana w' Umuntiu''


generated on Fri Jan 24 09:33:56 2025

# Chapter 2

1Hanyuma y' imis' itatu hal' ubhukwe Ikana y' Igalilaya kandi Yesu yaliyo hamwe n' abhigishwa bhiwe hamwe na
nyina. 2Yesu hamwe n' abhigishwa bhiwe bhali bhatumiwe mul' ubwo bhukwe.3Igihe bhali bhahelewe n' idivayi
nyina wiwe alamubwil' ati ''Nta divayi bhafise'' 4Maze Yes' alamwishul' ati ''Wa mugolewe! Ivyo bhilandebha
gute? Igihe chanje ntikilashika'' 5Nyina wiw' abwil' abhakoz' ati ''Ich' aza kubhabwila chosi mugikole.6Haliy'
imibhindi mukaga y' amabhuye yali yasizweho kubwo kunabha mu mibhagwa mikulu y' abhayuda, bhuli
kibhindi chuzuzwa n' inkono zibhili zitatu. 7Yes' alabhabwil' ati '' Ni mwuzuz' amazi muli' ivyo bhibhindi vy'
amabhuye. Maze bhalavyuzuza bhilasesekala 8Maz' abwila bhabhakoz' ati ''Ni muvome makeyi mutwalil'
umukozi mukulu w' Imeza'' Bhakola nkuko yabhabwiye.9Umukulu w' ubhukwe yumviliza ya maz yabhay'
idoivayi aliko ntiyameny' iyo bhayavanye(Alikw' abhakozi bhavomy' ayo mazi bhalameny' iyo bhayavanye). Maz'
ahamagal' Umukwe 10alamubwil' ati ''Umuntu wesi yam' agabhulil' abhantu idivayi naziza bhamaze guhaga
akabhahelez' iyitameze neza. Aliko weho watubhikiye nziza kugez' ubhu.''11Iki gitangaza ch' Ikana y' Igalilaya
chal' intango y' ibhimenyecho vyosi Yesu yakoze yiyelekan' ubwiza bwiwe maz' abhigishwa bhiwe
bhalamwizela12Hanyuma y' ivyo Yesu, nyina wiwe hamwe n' abhigishwa bhiwe bhagiy' Ikaperenawomu
bhabhayo mu mibhagwa mike.13Nuko Pasika y' abhayuda yali hafi , maze Yesu yelekez' Iyerusalemu. 14Ageze
mulusengelo asangamw' abhaguliza mw' Inka, intama hamwe n' inuma. Kandi halimwo n' abhachenjul' amahela
bhichaye mulusengelo.15Maze Yes' akol' inkoni y' amapfundo, asohola hanze bhadya bhosi bhali bhichaye
mulusengelo, hamwe n' inka, n' intama. Asesa has' amahela y' abhachenjuzi yongelakw' ahenagul' amameza
yabho. 16Abwila bhadya bhaguz' inum' ati ''Ni mubhivanemwo hano, ntimuhundul' inzu yanje kubha nk'
akagulilo''.17Maz' abhigishwa bhiwe bhibhuka yuko handichwe ngo ''Ishavu dy' inzu yawe lizonyuzula' 18Abhakulu
bh' Abhayuda bhalamwishula bhati ''Ukol' igitangaza kimeze gute kugila tumeny' ubhushobhozi
bhubhigukolesha? 19Yes' alabhishul' ati ''Ni musenyule luno lusengelo nanje nzogwubhaka mumibhagw'
itatu.''20Maz' abhakulu bh' Abhayuda bhalavuga bhati ''Ulu Lusengelo gwatway' imyaka milongwine na mukaga
kugwubhaka naw' ulavuga ngo wogwubhaka mu mibhagw' itatu gusa? 21Aliko wewe yabhabwiy' ulusengelo
kubhijanye n' umubhili wiwe. 22Maz' amaze kuzuka mubhapfuye nih' abhigishwa bhiwe bhavyibhuka maze bhib
hatela kwizel' ivyandichwe hamwe n' ivyo Yesu yavuze vyosi.23Igihe yal' Iyerusalemu kumusi wa Pasika, kumusi
mukulu niho bhenshi bhizey' izina dyiwe, bhamaze kubhon' ibhitangaza n' ibhimenyecho yakola. 24Aliko Yesu
ntiyabhizeye kuko yalimeny' imitima y' abhantu bhosi. 25Ntiyalinda kubwigw' ukw' abhantu bhameze kuko
yalameny' ibhibhalimwo.

## Chapter 3

[1]Maze halih' umuntu w' umufarisayo yitwa Nikodemu umwe mu bhakulu bh' umugwi mukulu w' Abhayuda.
[2]Uwo muntu yaje kuli Yesu mwijolo maz' alamubwil' ati ''Rabhi, tulamenya neza yuko wewe ul' Umwigisha
yavuye ku Mana ,kuko nta munto yoshobhola gukola hene bhino bhitanagaza vyosi atalukw' Iman' ilikumwe
nawe.''[3]Yes' alamwishul' ati ''Nukuli ndakubwile neza ; nta muntu numwe yokwinjila mu bwami bw' Imana
atabhanjije kuvuk' ubwa kabhili'' . [4]Nikodemu alabhaz' ati ''Umuntu yoshobhol' ate kwongela kuvuka kand'
ashaje? Ntiyoshobhola kwinjila mu nda ya nyina wiwe ngw' avuk' ubwakabhili, non' ivyo vyoshobhoka?''[5]Yes'
alishul' ati ''Nukuli ndakubwile neza umuntu wes' atavyawe mu mazi hamwe no muli Mpwemu, ntiyoshobhola
kwinjila mu bwami bw' Imana. [6]Ikivyawe mu mubhili n' umubhili ka nd' i,ivyawe na Mpwemu nacho n'
impwemu.[7]Ntibhigutangaze kuko nakubwiye yuko bhibheleye kubhanza kuvuk' ubwakabhili. [8]Umuyaga wam'
uhuhuta welekez' iyo wishakiye, twesi twumv' ijwi dyawo aliko ntawomeny' iy' uva n' iy' uja. Ukwo nikwo
bhimeze kumuntu yavyawe na mpwemu.[9]Maze Nikodemu alamubwil' ati ''Ivyo vyoshobhoka gute? [10]UYes'
alamweishul' ati ''Ni wewe mwigisha wa Isirayeli kandi ntumenya bhino bhintu? [11]Nukuli ndakubwile neza kidya
cho tumenya tulache,eza dukolesheje kidya cho twabhonye. Aliko mwenbwe ntimwakil' inkulu zachu.[12]N i
mwabha mudashobhola kwizel' ibhintu vya yinosi mwoshobhola gute kwizela ninabhabwil' ivyo m,wijulu?
[13]Kuko ntawagiye mwijulu atal' uwamanuche aliwe Mwana w' Umuntu.[14]Kudya Mose yamaniche ya nzoka haliya
mubhugalagwa ukwo nikw' Umwana w' Umunta' azomanikwa hejulu, [15]kugila bhosi bhazomwizela bhabhon'
ubhugingo bhuholaho.[16]Uku nikw' Imaa yakunza' abhali mwisi , maz' itangu mwana way' umwe gusa, kugila
bhul' umuntu wes' amwizeye ntazozimil' ahubwo yakil' ubhugingo bhuholaho. [17]Imana ntiyalungich' Umwana
wayo guchil' isi ulubhanza , ahubwo kugil' isi yakail' agakiza. [18]Uwumwizela wesi ntazochigwak' ulubhanza.
Uwutamwizela wesi yalachiliwek' ulubhanza , kukw' atizey' izina dy'Umwan' Umwe gusa [19]Iki nicho kizotuma
habhah' ulubhanza, nukw' umucho waje mwisi alikw' abhantu bhagakund' umwijima gusumv' umucho kukw'
ibhikogwa vyabho vyali bhibhi. [20]Umuntu wes' akol' ibhibhi yank' umucho , kandi ntiyoza mu mucho kukw'
atinya yukw' ibhikogwa vyiwe vyobhonwa. [21]Alik' umuntu wes' akol' ivy' ukuli aza mu mucho kugil' ivy' akola
bhibhoneke yukw' alivyo gushimish' Imana.[22]Hanyuma yivyo Yesu yajanye n' abhigishwa bhiwe Ibhuyuda ,
yiligwanayo nabho abhatiza. [23]Maze Yohana nawe yabhatili' Iainoni luhande y' Isdalemu kukw' aho haliy' amazi
menshi. Abhantu bhamusangayo alabhabhatiza, [24]kuko Yohana ntiyali bwatabhwe mw' ibhohelo.[25]Maze habhaho
guhalila hagati y' abhigishwa bha Yohana hamwe n' Umuyuda umwe kuvyelekelanye n' imibhagwa mikulu yo
kwezwa. [26]Maze bhalagenda kwa Yohana bhalamubwila bhati ''Rabhi wa wundi yali hakudya y' uluzi gwa
Yorodani, umwe washingil' intahe, alabhatiza kand' akulikigwa n' abhantu bhosi.''[27]Yohan' alabhishul' ati ''Nta
muntu yokwishobhoza na kimwe atabhihawe kuva mwijulu. [28]Ni mwebwe vyabhona vyanje yuko nabhabwiye
yuko njewe ntali Kiristo, ahubwo nabhabwiye yuko nalungichwe kumutegulila[29]Uwufis' umugeni niwe mukwe.
Umugenzi w' umukwe nawe anezelezwa no guhagalala yumviliz' ijwi dyu mukwe. Umunezelo wanje lelo
ulakwijijwe. [30]Uwo bhikwiliye yukw' akomeza maze njewe nkagabhanuka.[31]Uwavuye mwijulu niwe nyene vyosi.
Uwa yinosi yivugil' ivya yinosi. Uwuva mwijulu niwe mukulu wa vyosi. [32]Niw' ashing' intahe yivyo yabhonye
hamwe n' ivyo yumvishije kandi ntibhemel' intahe yiwe. [33]Uwa vyemeye yabhonye neza yukw' Imana al' inyakuli.
[34]Kuk' uwatumwe n' Imana naw' avug' amajambho y' Imana. Kuko ntitanga Mpwemu kulugelo. [35]Kuko Data
akund' Umwana yasize vyosi mumabhoko yiwe. [36]Uwizey' uwo Mwana niw' afis' ubhugingo bhuholaho, alik'
umunt' atamwubhaha ntazolonk' ubwo bhugingo bhuholaho, kuliwe hal' ulubhanza gw' Imana.


generated on Fri Jan 24 09:33:56 2025

Chapter 4

1Maze Yes' amaze kumenya yukw' abhafarisayo bhamenye yuko yigisha kand' akabhatiza bhenshi gusumvya
Yohana, 2(Nubwo atali Yesu yabhatiza ahubw' abhigisha bhiwe) 3Yavuy' Ibhuyuda agend' Igalilaya.4Yasanze
bhikwiliye yuko yocha hagati muli Samariya. 5Ashika mu muji w' Isamariya witwa Sikari, luhande ya hahandi
Yakobo yahaye Yozefu6Iribha dya Yakobo dyalaho hantu. Kuko Yesu yali lushe yicha luhande yadyo, hali kw;
isaha z' umutaga. 7Umugole w' Umusamariyakazi yaje kuvoma maze Yes' alamubwil' ati ''Ndasabh' amazi yo
kunywa'' 8Kukw' abhigishwa bhiwe bhali bhagiye mu muji kugul' ivyokudya.9Wa mugol' alamubhaz' ati
''Vyoshobhoka gute wew' umuntu wu Muyuda kunsabha njew' imugole w' Umusamariya kaz' amazi yokunwa''?
Kukw' abhayuda ntibhivanga n' Abhasamariya 10Yes' alamwishul' ati ''Iyo wabh' umeny' ingabhile y' Imana
ukamenya nind' akubwiye ngo 'Mpa amazi' walikumusabha, kandi yali kuguhelez' amazi y' ubhugingo''.11Uwo
mugol' alishul' ati ''Mwami ko mbhona udafis' indobho yo kuvomesha kandi mbhona yukw' iribha ali lile~lile;
ulakula heh' ayo mazi y' ubhugingo?'' 12Mbjesi wewe wobh' usumbha data Yakobo yaduhaye lino libha kandi
nawe nyene hamwe n' abhana bhiwe hamwe n' ibhitungano vyiwe bhanyoye kwa lino libha?13Yes' alishul' ati
''Umuntu wes' anywa kul' aya maz' azokwongela kunyotegwa, 14alik' uwuzonywa kumazi ntanga ntazosubhila
kunyotegwa. Ahubw' ayomazi nzomuha azohinduk' ilibha lidudubhiliza muliw' ibhihe vyosi''15Wa mugole yishula
Yes' ati ''Mwami numpelez' ayo mazi sinzokwongele kunyotegwa chankwe ngo ngaluke kuvom' amazi hano'' 16Yes'
alamwishul' ati ''Gend' uhamagal' umugabho wawe maze wongel' ugaluke hano''17Wa mugole yishul' ati ''Nta
mugabho ngila'' Yes' alamwishul' ati ''Uvuz' ukuli ngo singil' umugabho'' 18kuko wabhanye n' abhagabho bhatanu
kandi nuwo mubhany' ubhu nawe sigwawe. Uvugishij' u,kuli''.19Uwo mugole yishul' ati '' Mwami ndabhona yuko
wewe ul' umuvugisjhwa'' 20Bhasokulu bhasengela kwa kano kalambhi' aliko mwebwe mutubwila ngo dukwiye
gusengel' Iyerusalemu.''21Yes' alamubwil' ati '' Yewe wa mugole n' unyizele kuko hal' igihe kizoza mutazosengela
kwa uno mulambhi chankw' Iyerusalamu. 22Kuko mwebwe museng' icho mutameny' aliko twebwe tulameny' icho
dusenga. Kand' agakiza kava mu Bhayuda.''23Aliko halih' igihe kizoza kandi kili hano, icho gih' abhasenzi bh' ukuli
bhazosengela Data mu mpwemu no mukuli, kuko Data alondela henabho bhantu kugila ngo bhamusenge.
24Imana ni Mpwemu, kandi bhosi bhayisenga bhakwiliye kuyisengela mu mpwemu hamwe no mukuli''25Wa
mugol' amubwil' ati ''Ndabhinya yuko Mesiy' azoza(yitwa Kiristo) Uwo namala kuza niw' azotubwila vyosi. 26Yes'
alamwishul' ati '' Uwuvugana nawe niwe''27Maz' abhigishwa bhiwe bhalagaluka. Maze bhatangazwa nukw'
aganila nuwo mugole nubw' atanumwe yamubhajij' ati ''Ushak' iki? chankw' ati ''Kubheliki uvugana nawe?28Uwo
mugol' asig' ikindi chiwe yiluka mu muji abhibwil' abhantu. 29Ati ''Ni muze mulabh' umuntu yambwiy' ivyo
nakoze vyosi bhudya ntiwosang' aliwe kiristo?'' 30Bhava mu muji bhalaza.31Kugicha mus' abhigishwa bhiwe
bhalamwinginga bhati ''Rabhi n' udy' ivyokudya'' 32alikw' alabhabwil' ati ''Njewe ndqfis' ivyokudya mwebwe
mutamenya'' 33Bhalabhazanya bhati 'Ubwo nta wamuzaniy' ivyokudya?34Yes' alabhabwil' at' ivyokudya vyanje
nugukol' ubhugombhe bw' uwantumye kandi nkamal' igikogwa yantumye. 35Mbhesi si mwebwe muvuga muti
mumez' atanu tuzosalula? Leka ndabhabwile ni mulabhe kungen' imilima yosi yamaze kwela ikabh' ikeneye
gusalugwa! 36Uwusalula wesi akil' impembho kandi yeegelany' ivyimbhugwa kubw' ubhugingo bhuholaho, kugila
ngo uwutela hamwe n' umusaluzi bhosi bhanezegwe.37Kuko uwu mugani n' uwu' ukuli ngo 'Umwe alatela uwund'
agasalula' 38Nabhalungiche gusalul' ivyo mutavunikiye, abhandi bhalakoze namwe mwinjiye mumu nezelo w'
imilimo yabho.''39Bhenshi mubhasamariya bhalamwizela kubw' ijambho dya wa Musamariyakazi yabhashingil'
intahe ngo ''yambwiy' ivyo nakoze vyosi'' 40Abhasamaliya bhaje bhamusabha yuko yogumana nabho mu
mibhagw' ibhili.41Bhenshi bhalamwizela kubw' ijambho dyiwe. 42Bhabwila wa mugole bhati '' Ubhu tulizeye si
kubw' ijambho dyawe gusa kuko natwe tulamwiyumviye kandi tulamenye yukw' al' Umulokozi wa
yinosi''43Hanyuma yiyo mibhagw' ibhili avayo agend' Igalilaya. 44Kukw' aliwe yali yavuz' at' Umuvugishwa
ntiyokwubhahigw' iwabho mu gihugu chiwe. 45Agez' Igalilaya Abhanyagalilaya b halamwakila. Bhali bhabhony'
ivyo yakoley' mIyerusalemu ku munsi mukulu, kuko nabho nyene bhali bhashengeye kumunsi mukulu.46Yongela
kugend' Ikana y' Igalilaya hamwe yahindul' amazi kubha divayi. Halih' UMutwale yalifis' umwan' agwaye hiyon
Ikapelenawumu. 47Amaze kwumva yuko Yesu yavuy' Ibhuyuda akaza Igalilaya yaje kuli Yes' alamwinginga kugil'
amukiliz' umwana wiwe kuko yali melewe nabhi.48Maze Yes' alabhabwil' ati ''mwebwe mutabhony' ibhitangaza
ntimwokwizela. 49Uwo mutwal' alamubwil' ati ''Mwigisha n' umanuke ningog' umwana wanj' atalapfa'' 50Yes'
alamubwil' ati ''Ni witahil' umwana wawe ni muzima''. Uwo muntu yizel' ijambho dya Yesu maqz' alagenda.
51Akimanuk' abhakozi bhiwe bahaza kumusanganila bhamubwila yuko wa mwana wiwe yakize 52Abhabhaz' ati
ni dyali yatoy' agahengwe? Bhalishula bhati ''Ni nijolo nki saha mushanju nih' inyonko yamuvako''53Maze se wiw'
amenya yukw' alichagihe nyene Yesu yamubwil' at' Umwana wawe ni muzima''. Maze yizelana n' abhiwe bhosi.
54Icho nicho ,kimenyecho cha kabhili Yesu yakoz' amaze kuv' Iyudaya agend' Igalilaya.

 generated on Fri Jan 24 09:33:56 2025

Chapter 5

[1]Hanyuma yivyo halih' umusi mukulu w' Abhayuda maze Yes' adug' Iyerusalemu. [2]Kand' Iyerusalemu kw'
ilembho dy' intama halih' ilibha dyitwa mugihebhulayo ngo Betizata kandi dyali lifis' ibhibha~mbhasi bhitanu.
[3]Abhagwayi bhenshi hamwe n' impumyi, ibhimuga n' abhahetamye bhali bhadyamye mw' ivyo bhibha~mbhasi.
(Menya: Amajambho y' umulongo wa 3 ntiwoyabhona mu nyandiko nziza za kela; ngo ''Bhalindiliy' amaz'
adubhagulika''. ) Kuko hal' igihe lunaka Umumalayika yamanuka mwidyo libha akayadubhagula. [4]Maz' udya
yabh' uwambhele kwinjilamwo hanyuma yukw' adubhaguwe yalakil' ikintu chosi yabh' agwaye mwako kanya.
[5]Halih' Umunt' umwe yali maz' imyaka milongw' itatu n' umunani adyamye mw' ivyo bhib hambhasi agwaliyeho
[6]Yes' amubhony' adyamye ngaho mubhibhibhambhasi kand' amaze kumenya yukw' amaz' imyaka myishi ngaho
maz' alamubwil' ati ''Mbhesi wobh' ushaka kubha muzima?''[7]Wa mugway' alamubwil' ati ''Mwami wanje simfis'
umuntu wo kunyinjiza mu mazi hady' adubhaguwe, Bhul' ukwo ngelegeje kwinjilamwo nsanga halih' umuntu
yakelebhiuche kwinjilamwo. [8]Yes' alamubwil' ati ''Haguluka wikolel' igodoro dyawe wigile''.[9]Maze wa munt' akila
kandi yikolel' igitanda chiw' alagenda . Kandi vyakozwe kumubhagwa w' Isabhato.[10]Maz' abhayuda bhabwila wa
muntu yakijijw' ati '' Uwu n' umubhagwa w' isabhato kandi ntivyemewe kwikolel' igodolo dyawe. '' [11]Alabhishul'
ati ''Uwa nkijije niwe yambwiy' ati 'ikolel' igodolo dyawe wigendele''[12]Bhalamubhaza bhat' ''uwo yakubwiye ngo
wikolel' igodolo dyawe ninde/'' [13]Alikuwo yakijijwe ntiyamumenye kuko Yesu yali yabhavuyemwo mwibhanga.
Kuko halih' abhantu bhenshi.[14]Hanyuma yivyo Yesu yamusanze mulusengelo maz' alamubwil' ati ''Labha
wakijijwe, 'ntuzosubhile gukol' ichaha kuko wohav' uhula n' ibhilemeleye gusumbhaho'' [15]Maze wa muntu
alagend' abwil' Abhayuda yukw' ali Yesu yamukijije.[16]Abhayuda bhagilila nabhi Yesu kuko yabhikoze
kumubhagwa w' isabhato. [17]Yes' alabhabwil' ati ''Data wanje alachakola nicho gituma nanje nkomeza gukola''
[18]Kubw' ivyo Abhayuda bhakomeje guhig' ukwo bhomwicha si kubwo kubhikola kumusi w' isabhato gusa
ahubwo kuko yongey' akit'Imana kw' aliyo Se akisusisha n' Imana.[19]Yes' alabhishul' ati ''Nukuli ndabhabwile neza
yuk' Umwan' adashobhola gukol' ikintu na kimwe atali kidya yabhonye Se wiw' akola. Kuko kidya Se wiw' akola
nicho n' Umwana azokola. [20]Kuko Data akund' Umwana kand' amwelek' ivyakola vyosi, akazomweleka n' ibhindi
bhinini kugila mukomeze gutangazwa.''[21]Kuko nkakudya Dat' azul' abhapfuye akabhaha kubha bhazima, ukwo
nikwo n' Umwana naw' abhaihelez' uwo yishakiye. [22]Kuko Data ntachil' umuntu numw' ulubhanza ahubw'
imanza zosi yazihay' Umwana, [23]kugila bhosi bhubhah' Umwana nkoko nawe yubhaha Se. Uwutubhah' Umwana
ntabha yubhaha na Se ya mulungiche.[24]Nukuli ndabhabwile neza , umuntu wesi yumv' ijambho dyanje maz'
akizel' uwantumye uwo niw' afis' ubhugingo bhuholaho kandi ntazochigwak' ulubhanza. Ahubwo yalamaze
gucha, mulupfu yinjila mubhugingo.[25]Nukuli ndabhabwile neza yuko hal' igihe kandi nubhu nyene kiliho
abhapfu bhazokwumv' ijwi dy' U, mwana w' Imanakand' abhazodyumva bhosi bhazobhaho[26]Kuko nka kudya Dat'
afis' ubhugingo ,uliwe, [27]nikwo yagabhiy' Umwana kugil' ubhugingo muliwe, kandi yamuhaye n' ubhushobhozi
bwo guch' imanza kukw' al' U,wana w'Umuntu.[28]Ivyo ntibhibhatangaze kuko hal' igihe kiza ch' abhapfuye bhali
mu mazikilo bhazokwumv' ijwi dyiwe, [29]maze bhazosohoka hanze: Abhakoz' ivyiza bhazuligw' ubhugingo kand'
abhakoz' ibhizila nabho bhazuligw' ulubhanza.[30]Nta na kimwe nokola nishobhoje. Ukwo numva nikwo nch;
imanza kand' ulubhanza gwanje n' ugw' ukugololoka kuko si ndondel' ivyanje, ahubwo ndondela gukol' ivy'
uwantumye. [31]Iyo nabh' alai njewe nivuganila intahe yanje yoibhay' iy' ubhubheshi. [32]Halih' uwund' amvuganila
kandi menya neza yukw' ivy' amvugaho al' ivy' ukuli.[33]Mwatumye kwa Yohana kandi yanshingiy' intahe. [34]Alikw'
intahe yanje s' iyabhantu. Ibhi ndabhibwila kugila mubhashe kulokogwa. [35]Yohana dyal' itala dyaka kandi
likayangana, mugihe gitoyi mwalanezelejwe n' umucho wiwe.[36]Ukuli mfise gusumvya kudya kewa Yohana,
kwelekanwa mubhikogwa Data yampaye gushicha; ibhikogwa nkola vyelekana yuko Data yantumye. [37]Kandi na
Data yantumye nawe nyen' alanshingil' intahe. Ntimwigeze kwumv' ijwi dyiwe kandi ntimuligela mumutung'
ijisho na limwe. [38]Ijambho dyiwe ntilili muli mwebwe kuko mutizel' uwo yatumye.[39]Mwama mulasoma mu
vyandichwe mwibhaza ngo halimw' ubhugingo aliko nivyo bhinshingil' intaje [40]kandi mwanka kunzako kugila
ndabhah' ubhugingo bhuholaho.[41]Si nakil' ichubhahilo ch' abhantu, [42]kuko ndamenya neza yuko muli mwebwe
hatalimw' ulukundo.[43]Naje mwizina dya Data aliko ntimwanyakiliye. Aliko hagiz' uwundi yoza mwizina dyiwe
mwo mwakila. [44]None mwebwe mwoshobhola gute kwizela kandi mukunda guhan' ichubhahilo aliko
mukananigwa guhig' ichibhahilo kiva ku Mana yonyene?[45]Nti mugile ngo njewe nzobhalega kuli Data.
Uwubhalega ni Mose, kukw' aliwe mwasizekw' ivyizigilo. [46]Iyo mwabha mwizeye Mose mwonyizeye kuko
yandiche ku nkulu zanje. [47]Ni mwqabha mutizey' ivyo yandiche mwoshobhola gute kwizel' amajambho yanje?

Chapter 6

[1]Hanyuma yivyo Yesu yelekeje mu mpande z' ikiyaga ch' Igalilaya, kandi chitwa Tiberiya. [2]Ikolanilo dy' abhantu
bhagenda bhamukulikila kuko bhabhon' obhikogwa vyiwe vyo gukiz' abhagwaye. [3]Yesu yulila hejulu kukalambhi
yichalanayo n' abhigishwa bhiwe.[4](Wa musi mukulu w' Abhayuda witwa Pasika wali wegeleje). [5]Yesu yunamuy'
amaso abhona bhenshi bhaza kuliwe maz' abwila Filip' ati ''Tulagula hehe imikate kugila dufungulile bhano
bhantu bhadye''? [6](Aliko yabhibewiye Filipo kugil' amupime kuko wewe yalimeny' ichogukola).[7]Maze Filipo
alamwishul' ati nubwo twogul' imikate y' Idenaliy' amajan' abhili ntacho yobhamalila , ntibholonka bhul' umuntu
agapande gatoya. [8]Andereya , umwe mulibho kandi ni mwenewabho na Simoni Petero alamaubwila [9]Yes' ati
''Hano dufis' umuhung' afisi mikat' itanu ha,we n' ifi zibhi;o, aliko vyomal' iki kuli bhano bhantu bhenshi guti''?
[10]Yes' alabhabwil' ati ''Ni mwichalik' abahanyu hasi(Aho hantu halih' ivyachi vyinsi). Abhagabho bhagel'
ibhihu,mbhi bhitanu bhavyichalako. [11]Maze Yes' atola ya mikat' itanu alashima, ayiheleza bhadya bhichaye.
Kandi n' ifi nazo nyene alazibhagabhulila nkukwo bhali bhakeneye. [12]Abhantu bhamaze guhaga, yabwiy'
abhigishwa bhiw' ati ''Ni mwegelany' ivyo bhivunji vyasigaye ntimutakaze na kimwe.''[13]Maze bhalavyegelanya
bhakulamw' ibhikapu chumi na bhibhili, vy' ibhimanyu bhitanu vy' umukate w' ishayiri vyasigajwe na bhadya
bhaliye. [14]Abhantu bhabhony' icho kumenyecho bhalavuga bhati ''Nukuli uwo ni wa muvugishwa twabwigwa
yukw' alikw' alaza mwayinosi''. [15]Yes' amaze kumenya yuko bhashaka kumufata ngo bhamuhindul' umwami
wabho alitandukanya agenda hejulu kukalambhi wenyene.[16]Hageze kukagolobha abhigishwa bhiwe
bhalamanuka bhaja muluzi. [17]Bhulil' ubwato bhelekez' Ikapelenawumu. (Bhulila kandi Yesu ntiyali bwaze ngo
bhamubhone.) [18]Ikiyaga kimela nabhi kubw' inkubhi y' umuyaga.[19]Abhigishwa bhiwe bhamaze gusuz' ingafi nka
milongw' ibhili na zitanu kugeza milongw' itatu bhabhona Yes' aza hejulu y' amazi y' ikiyaga ; yegeley' ubwato
bhalamutinya. [20]Alikw' alabhabwil' ati ''Ni njewe !Ntimutinye'' [21]Bhamwinjiza mu bwato maze mukanya gatoyi
bhashika ku nkombhe.[22]Umubhagwa wakulikiyeho ikolanilo lilaza maze bhabhona yukw' atabwato bhundi
bhuliho, bhabhona bwabhundi bwali bwuliwe na Yesu hamwe n' abhigishwa bhiwe, kandi yukw' abhigishwa
bhiwe bhafsh' inzila yabho bhonyene. [23](Aliko hal' ayandi mato yaj' av' Itiberiya hamwe bhalila ya mikate chagih'
Umwami yashima.)[24]Maz' ikolanilo libhona yukw' Abhigishwa hamwe na Yesu nyene bhatali ngaho; maze bhulil'
amatoi bha bhanza kumusakanya Yesu Ikapelenawumu. [25]Bhamusanze kulundi luhande bhalamubwila bhati
''Rabi wagez' ino dyali?''[26]Yes' alabhishul' ati Nukuli nukuli mwebwe ntimunsha si ku kubw' ibhitangaza n' uko
mwaliye ya mikate mugahaga. [27]Ntimugakolel' ivyokudya kuko vyononekala, ahybwo mwame mukolel'
ivyokudya vy' ubhuzima bhuholaho bhitangwa n' Umwana w' Umuntu kukw' Imana yamushizekw'
ikimenyecho[28]Maze bhalamubwila bhati ''None dukwiliye gukol' iki kugila dukol' ibhikogwa vy' Imana? [29]Yes'
alabhishul' ati ''Iki nicho gikogwa ch' Imana yuko mwizel' uwo yatumye''.[30]Maze bhalamubwila bhati ''None n'
ibhitangazaki , kugil' ubhikole kugila tubhibhone tukwizele? Ukol' iki? [31]Bhasokulu bhachu bhaliye Mana haliya
mubhugalagwa kuko vyandichwe ngo ''Yabhahay' ukate wo mwijulu kugila bhadye.''[32]Maze Yes' abhishul' ati
''Nukuli nukuli si Mose yabahahay' umukat' uva mwijulu ahaubwo nin Data kukw' abhah' ukate w' ukul' umanuk'
uva mwijulu. [33]Kuk' umukate w' Imana ni wawund' umanuk' uva mwijulu kandi niwo uhelez' isi ubhugingo.
[34]Bhalamwishula bhati mwami n' uduhelez' uwo mukate mubhihe vyosi''.[35]Yes' alabhabwil' ati ''Ni njewe mukate
w' ubhugingo kand' uwundiye wesi ntazosonza kandi ntazobhon' inyota na limwe.'' [36]Aliko nalabhabwiye yuko
nubwo mwqambhonye, kandi mukomeza kutanyizela. [37]Abho nahawe na Data bhosi bhazoza kuli njewe, kandi
bhul' umunt' anzako sinzomutelela hanze.[38]Kuko sinavanywe mw' ijulu no gukol' ivyo nishakila alaiko naje gukol'
ivyo Data yantumye. [39]Kand' ibhi nivyo Data wanje yipfuza nuko ntotakaza n' umwe mubho yampaye, ahubwo
nzobhazule kumusi w' ihelezo. [40]Ubhu nibwo bhugombhe bw' Imana yuko bhul' u,muntu wes' alabh' Umwan'
Kimwizela yakil' ubhugingo bhuholaho; kandi nanje nzomuzula kumusi w' ihelezo.[41]Maz' Abhayuda
bhalamushavulila kubw' ijambho yavuz' ati ''Ni njewe mukat' uva ,w' ijulu'' [42]Bhalabhazasnya bhati ''Uwo si nYesu
,mwene Yozefu, kandi se na nyina tukabha tubhamenya? Bhigenze gute none kw' atubwila ngo ''Namache mva
mwijulu?''[43]Yes' alabhishul' ati ''Ntimwido~dombhelane '' [44]Nta muntu numwe nyoshobhola kuza kuli njewe
adakwezwe na Data yandungiche, kandi nanje nzomuzula kumusi w' ihelezo. [45]Kuko muvy' abhavugishwa
handichwe ngo ''Bhazokwigishwa n' Imana '' Uwumva wesi maz' akigishwa na Data niw' aza kuli njewe.
[46]Ntibhisobhanuye ngo haliho numwe yobha yalabhonye Data alik' uwavuye ku Mana niwe yabhonye Data.
[47]Nukuli lelo uwizeye wesi alafis' ubhugingo bhuholaho.[48]Ni njewe mukate w' ubhuzima. [49]abhakulambhele
bhanyu bhaliye manu m' ubhugalagwa maze bhalapfa.[50]Uwu niwo mukate uva mw' ijulu kugila bhul' umuntu
wesi awudyaho ntazopfe. [51]Ni njewe mukate uholahp wamach' uva mw' ijulu. Uwuzowudyaho wes' azokwakil'
ubhugingo bhuholaho. Umukate wo nzotanga n' Umubhili wanje kubw' ubhugingo bwayinosi''.[52]Abhayuda
bhalamushavulila bhalabhazanya bhati '' Uwu muntu yoshobhol' ate kuduhelez' u,ubhili wiwe ngo tuwudye? ''


generated on Fri Jan 24 09:33:56 2025

[53]Yes' alabhishul' ati '' Nukuli ndabhabwile neza yuko mutaliy' umubhili w' Umwana w' Umunti mukanywa n'
amalaso yiwe, ntabhugingo muzogila muli mwebwe.[54]Umuntu wes' adya kumubhili wanje kand' akanyw'
amalaso yanje niw' afis' ubhugingo bhuholaho kamdi nzomuzula kumusi w' ihelezo. [55]Kuk' umubhili wanje niwo
chokudya ch' ukuli kandi n' amalaso yanje niyo chokunywa ch' ukuli. [56]Uwudy' umubhili wanje maz' akanywa ku
malaso yanje abha muli njewe nanje nkabha muli we.[57]Nkuko Data wanje nyen' ubhugingo yantumye kandi
nkuko nanje mbhayeho kubwa Data kandi nawe nuyen' akabhaho kubwanje. [58]Uwu niwo mukate umanuk' uva
mw' ijulu, si nka wawundi bhasokulu bhadfya bhagapfa. Uwuwuwdya wesi ntazokwongela gupfa. [59]Yesu
yabhivugiye mw' Isinagogi alaimw' alaigish' Ikapelenawumu[60]Bhenshi bho mubhigishwa bhiwe bhavyumvishije
bhalavuga bhati'' Iki chigisho kilalemeleye none ninde yoshobhola kiuchakila?'' [61]Kuko Yesu yabhamenye yuko
bhamwidodombhela kubw' ivyo alabhabhaz' ati ''Non' ivyo bhilabhachitaje?[62]None bhizomela gute ni mwabhon'
umwana w' Umuntu amanuch' av' iyo yahoze kela? [63]Mpemu niw' atang' ubhugingo. Umubhili ntacho womala.
Aya majambho niyo mpwemu kandi niyo bhugingo.[64]Muli mwebwe halachalimw' abhatizela. Kuko Yesu yamenya
neza kuva mbhele yuko mulibho halimw' uwutizel' azomiugulisha. [65]Alabhabwil' ati ''Nicho chatumye
ndabhabwila yukw' atamuntu yoshobhola kuz' iwanje Data atabhimushobhoje''.[66]Avuz' ivyo bhenshi mu
bhigishwa bhiwe bhasubhil' inyuma ntibhakunda kwongela kumukulikila . [67]Yes' abhaza bhadya chumi na
bhabhili ati ''Mbhesi namwe mulashaka kugenda? [68]Simoni Petero alamwishul' ati ''Mwami twoja kwande, ni
wewe ufis' amajambho y' ubhugingo bhuholaho. [69]kandi twalizeye twemela yuko wewe ul' Uwela w' Imana.''[70]Yes'
alabhabwil' ati ''None si njewe nabhatolanije, alik' umwe muli mwebwe si Satani? [71]Aho yavuga kuli Yuda mwene
Simoni wa Iskariyote, kuko yal' u,we wabho chumi na bhabhili lkandi niwe yalikumuguza.


generated on Fri Jan 24 09:33:56 2025

Chapter 7

[1]Ivyo bhiheze Yes' agendagendel' Igalilaya, kuko ntiyashaka kugend' Ibhuyuda kukw' Abhayuda bhakol'
imigambhi yo kumwicha. [2]Kand' umubhagwa mukulu w'Abhayuda w' Ibhisangate wali wegeleye.[3]Maze bhene
wabho bhalamubwila bhati ''Uve hano ugende n' Ibhuyuda kugila n' abhigishwa bhawe bhabhon' ibhikogwa
vyaw' ukola. [4]Nta muntu yokolela mwibhanga abhaye ashaka yuko bhamumenya neza. Kuk' ukola bhene bhino
ni wiyelekane kwissi bhakumenye.''[5]Kuko na bhene nyina ntibhamwizeye. [6]Maze Yes' alabhabwil' ati ''Igihe
chanje ntikilashika, aliko mweh' igihe chanyu chamaho bhul' umubhagwa. [7]Isi ntiyoshobhola kubhanka
mwebwe, yanka njewe kuko ndayagiliza yukw' ibhikogwa vyayo ali bhibhi.[8]Ni muduge mugende mu musi
mukulu; njewe si ngenda kukw' igihe chanje kitala shika'' [9]Amaze kubhibhabwila yachiy' asigal' Igalilaya.[10]Aliko
bhene wabho bhamaze kugenda mu musi mukulu, niho nawe yagiyeyo, alaiko ntiyiyelekanye, yagiye m,ubhudyo
bw' ibhanga. [11]Abhayuda bhalamuhize mu musi mukulu bhalavuga bhati'' Ali hehe?''[12]Haliho guhalila chane
hagati y' abhantu bhaje kuko bhamwe bhavuga bhati ''N' umuntu mwiza'' abhandi bhakavuga bhati ''Oya,
alabhesh' ikolanilo'' [13]Aliko bhabhivuga bhihishije kuko bhatinya yukw' Abhayuda bhabhumva.[14]Umusi mukulu
umaze gushika hagati niho Yesu yaza Mulusengelo akabhanza kubhigisha. [15]Abhayuda bhalatangala bhalavuga ''
Kubheliki amenya vyinshi ? Uwu ntiyigeze yiga''. [16]Yes' alabhishul' ati ''Ivyo ndabhigisha s' ivyanje ahubwo n' ivy'
uwa ntumye.[17]Umuntu wesi yipfuza gukol' ubhigombhe bwiwe, azomenyeshwa zino nyigisho, amenye ko ziva ku
Mana chankwe yukw' alivyo nigenela. [18]Umunt' avug' ivyiwe abh' ahig' ichubhahilo chiwe gusa, alik' uwuhig'
ichubhahilo ch' uwamutumye niwe w' ukuli kandi muliwe nti habhamwo kudakola kugolololoche.[19]Mose siwe
yabhahay' amategeko. None kubhel' iki mutayubhaha? Kubhel'iki mushska kunyicha? [20]Ikolanilo lila mwishula
liti ''Wewe ulagwaye Dayimoni, Nimde wabhony' ashaka kukwicha?[21]Yes' alabhishul' ati ''Nakoz' igikogwa kimwe
kandi namwe mulachagitangalila. [22]Mose yabhahaye gusilimula( nti vyavanye na Mose kuko bhivana n' abhakula
mbhele) kandi no kw' isabhato umuntu mulamusilimula.[23]None bhibhaye vyemewe gusilimula kumubhagwa w'
isabhato kugila ntimwich' amategeko ya Mose, none ni kubheliki munshavulila kuko nakijij' umunt' akabha
muzima kumusi w' isabhato? [24]Nti uze mulach' imanza zivuye kuvyo mubhona, muze mulach' imanza
zigolololoche.[25]Bhamwe mu bhantu bh' Iyerusalemu bhalabhazanya bhati ''Uwo siwe bhahiga kwicha? [26]None ko
tubhon' avugil' ahabhona kandi ntawomukolako. Bhudya ntiwosanga bhamenya yukw' aliwe Kiristo, wo sang'
aliwe? [27]Uwu tulameny' iy' ava, aliko Kiristo ntawumeny' azova hehe''.[28]Yes' alasemelela mukwigish' ati ''Mwebwe
